Barundi mwese iyo muva mukagera,

Nimurabe kandi mutangarire ikimenyetso c'amahoro mu Burundi.

Urumuri rw'Amahoro.

Amahoro yaramye akaramira barundi bari baboshwe n'indyane imyaka n'imyaka.

None urumuri rw'amahoro gwaratumurikiye, turamenya ikiruta ikindi: AMAHORO.

Ng’uru, ng’uru urumuri rw’amahoro, ruje ruzanye impore mu muryango w’abarundi.

Ruje ruzanye urukundo n’ubumwe mu bonse rimwe.

Urumuri rw’amahoro, urumuri rw’urukundo.

Uno musi, kuri uyu mugoroba udasanzwe turiko turigina umuco,

Umuco wamurikiye Uburundi.

Urumuri ni umuco

Nguyu umuco, tuwakire.

Tuwakire mu mitima yacu, aho tuba, mu kibano, aho turangurira imirimo, no mu ntara iwacu, mu gihugu cose.

Uru rumuri, uyu muco, ni wo utwegeranya twebwe Abarundi; ukaduha umwizero wa kazoza.

Urumuri rw'amahoro ni ubumwe.

Ni umuhivu wunga ubumwe n'urukundo kuri twebwe Abarundi, bene Burundi.

Turi kumwe n'urumuri rw'amahoro, ubumwe burasasagaye iwanyu,

Amahoro araje iwanyu.

Ng’uyu umuco;

Urumuri rw’amahoro ni intsinzi

Ni urumuri ruremesha, rukabura ishaka ry’Abarundi ryo gutsinda.

Tumurikiwe n’urumuri rw’amahoro, dutsinde ubukene.

Tumurikiwe n’urumuri rw’amahoro, tugire ishaka ryo gutsinda.

Gutsinda atari bimwe vyo gutsindana hagati y’abonse rimwe; ahubwo ishaka ryo gutsinda umwansi dusangiye twese, Ubukene.

Ubukene tubutsinde turi kumwe twese.

TURI KUMWE TWESE! BIRASHOBOKA

TURI KUMWE TWESE! BIRASHOBOKA

Ni co gituma urumuri rw’amahoro rusohokanye ibikorwa vy’iterambere rusangi.

Ruje rugemuye, ruje rufise ishishiro mu ntara iwanyu.

Ruje rudiridimba nk’akana kaja iwabo, kanatsinda ruje kubatera intege no kubongerereza ishaka.

Ruje kubatera intege mu bikorwa murimwo vy’iterambere rusangi.

Urumuri ntiruvangura ariko rukorana n'abahizi, ibinebwe bikamurikirwa, bikabona inzira yo gushiruka ubute.

Urumuri rw'amahoro ni Rukundo, ni gufatana mu nda.

Urumuri rw'amahoro rutwigisha urukundo, rukadutegeka kwubaha.

Kwubaha abenegihugu iyo bakomoka hose. Kwubaha abo dusangiye urugamba rwo kugwanya Ubukene.

Turi kumwe n'urumuri rw'amahoro, turatwenga, turavyina, turanezerwa.

Turi kumwe n'Urumuri rw'amahoro dufatana mu nda, turafashanya.

Ng'urwo rero urumuri rw'amahoro,

Ruraje mugwakire ngaho iwanyu n'akanyamuneza.

Uyu mwaka urumuri ruje rubura UBURUNDI BW'UMUCO isi yose izorahurako.

TWESE HAMWE, TWUBAKE UBURUNDI BW'UMUCO

Abarundi turavuye hasi tugiye kwubaka Uburundi

Tuvuye hasi kugirango ivyasambutse tubisanure;

Ahashwanyuka tuhakomeze;

Abavunitse tubunge; dufatanye urugendo.

Twubake Uburundi bumurikira abandi;

Uburundi rurangiranwa mu makungu.

Mbere n’amakungu turayatumiye, naze dufatanye urugendo, twubake isi kuko ni iragi ry’amahanga yose, Imana yaduhaye. Tutubakiye hamwe ibihugu, amakungu ntazoba yunze. Tugize isi imwe, tugize Ubuntu bumwe, dusangiye Imana.

Urumuri ruje iwanyu kubura iterambere rirama kandi ridakumira mu gihugu cacu

Twubake Uburundi dutegekaniriza kazoza abana bacu, abuzukuru n’abuzukuruza.

Ivyo twaciyemwo bibi biramaze, urumuri rw'amahoro ruzanye Intango Nshasha nkuko Sogokuru wacu yadutumye.

Imbere yuko ashengera yavuze ati "genda mwubake Uburundi nka Nehemiya yubaka yeruzalemu, muri kumwe n'indongozi ndabasigiye".

Iri ragi ry'Umuco, turyumeko imisi yose, muri vyose na hose.

Turashimiye abo bose bahize ko urumuri rutazobasiga uko rwabasanze bagatangura gukora ibikorwa vyo kurusanganira.

Turahezagiye intwararumuri zigiye kuzunguruka Uburundi bwose zijanye umuco w'amahoro n'iterambere.

Muraroranirwa aho muzoca hose, muhezagire intara;

Zimeremwo ivyamwa vy'umugisha.

Imana Mushobora vyose izobaremeshe, ibakomeze, ibahe umugisha.

Kubw'ivyo, aho muzoca hose murahezagire abazobasanganira muti: **Ni mugire amahoro.**

Urumuri rw'amahoro OYEEEE!!!!

Burundi OYEEEE!!!!!!

Murakoze.